1. Nihaninahazwe Imana Se w'Umukama wacu Yezu Kristu Yo yaduhaye kuyimenya kuva kera na rindi ngaha iwacu mu Burundi. Si ivy'imbeshere, aha turi kuva kera hitwa **"Mu Mana za Mugera"**.

Ni ikibanza ba sokuru bacu bamye bambarizamwo Imana Nyamwambarizwahose.

Imana y'i Burundi, ari yo Mana imwe rudende kuva kera, yamye yibonekeza mu gihugu cacu ku buryo budasanzwe kuko yamye izwi n'Abarundi nka Segaba wa vyose, itanga ubuzima, inka, imirima n'ibibondo.

2. Numva rero akanyamuneza ntangere kuri uyu musi Abakristu bo mu mihingo yose y'Uburundi baramutse bakoranira hano ngo baninahaze Iyurizwa mw'Ijuru ry'umuvyeyi w'Imana, Bikira Mariya.

Nanje naje nzananye n'abari mu nzego nkuru z'igihugu gushimira Imana kuko yaninahaje umwana w'Umuntu ikamuha kwibaruka no kurera Umwana wayo, hanyuma amaherezo ikamuninahaza no mw'Ijuru. Erega kuri twebwe Abarundi ni igitangaza kuko naho twari tuzi Imana, twari tuyizi ku vyiza iduha, tugafata ivyo gusa. Tukibagira ko turiho canke tutakiri mu mubiri turi ab'Umukama. Mbere tweho, kera twivugira tuti: **"agapfuye kabazwa ivu".**

3. Iteka ryatewe Bikira Mariya, ni ryo riha ivyizigiro uwemera Imana wese, tukamenya ko uwubashe Amabwirizwa yayo, bitebe bitebuke, ntagenda akagirire, agira iherezo ryiza. Ese twese twobizirikana, tukama na ntaryo tugerageza kugendera mu makanda ya Bikira Mariya kugira ngo natwe Imana yame ituraba ryiza.

4. Birumvikana rero ko, naho atari ubwambere nza gusengera ngaha i Mugera mu gihe nk'iki, naje kandi gusangira na mwe igisabisho;

dusangira n'Ijambo ry'Imana kuko ari ryo rirema kandi rikagira umuntu mushasha.

Reka rero ndahikike mugushimira Imana inyuma y'imisi 59 maze ndongoye igihugu c'Uburundi. Ni co gituma naje nk'Umukuru w'Igihugu, nk'umukirisu n'Umusuku w'Abanyagihugu; kuko Imana twahaye ikibanza ca mbere mu Burundi, mpamagariwe kuba n'uwa mbere mu kuyambaza, kuyisenga n'ukuyininahaza.

Shengero ry'Imana mukoraniye ngaha;

5. Iyo Abamenyeshamakuru bo ku Nsamirizi y'igihugu bagiye kuremesha ibiganiro mu benegihugu, barakunda kubabaza bati: "**Aha turi ni hehe?**". None ubwo twese turazi amateka y'uno musozi wa Mugera? Mbega twese turazi icatumye aha turi no mu micungararo yaho tuza tuhisunga, ndetse bahita **Mu Mana za Mugera**?

- Ni tumenye twese ko umusozi wa Mugera ari umusozi ufise amateka akomeye kuko wamye ari umurambi mweranda no muri kahise k'Uburundi. Imbere y'umuzo w'abanyamahanga, Mugera yari isanzwe ifise amateka adasanzwe.
  Aha ni ho havukiye Umwami Rurangiranwa Mwezi Gisabo, hakaba ari na ho hatangiye Se wiwe, Umwami Rurangiranwa Ntare Rugamba.

- Aho hepfo, mu kiyaya ca Ruvubu na Ruvyironza aho izo nzuzi zihurira, ni ho bita mu Mana za Mugera, ni ho habera imigirwa yo kubandwa aho hambere, aho Abarundi basenga bashimitse barongowe n'Imboneza mu kwambaza Imana, **Kiranga**, Abarundi bafata nk'Umuherezankuka ahuza Abarundi n'Imana.

- Aha duhagaze naho, hitwa mw'Ishunga. Neza na neza aha mubona kuri iki gigwa kiriko uruhimbi (Autel), ni ho hari Ingoro Mwezi Gisabo yavukiyemwo. Yari imwe mu ngoro zikomeye cane Ntare Rugamba yakunda guhangamamwo.

- Harya haruguru kw'isonga rya Shunga ni ho nyene hitwa mu Mana za Mugera. **Nta Mwami yakora umugambi n'umwe ukomeye atabanje kuja kugisha inama Imana za Mugera.**

- Mbere, iyo abamisiyonari batavyanka, Abadagi bari bipfuje gushinga umugwa mukuru i Mugera, ni na co gituma batawushinze kure y'aha.

- Ibindi biranga aka karere twovuga nk'ishwagara yakoreshwa igihe c'umuganuro yava ng'aha i Mugera. Mbere bavuga ko Komine ya

Bugendana ngo yitiriwe iryo zina kuko ngo ari ho hava abagendanyi benshi b'Umwami;

- Hariho ikindi dutangarira kuri Mugera: **Mu mateka y'Uburundi bw'aho hambere, bavuga ko I Mugera ata ntambara zashobora kuhabera, ngo n'uwuhunze ahashitse yaba akize;**

- Iruhande yo kuba rurangiranwa muri Kahise k'Uburundi na Ekereziya Katorika, umusozi wa Mugera ni wo wambere washinzweko umunara wambere wa Terefone ikoresha umuyaga **(Telephone Sans Fils – TSF)**. Uyu mutumba urafise rero n'amateka mu vyo gutumatumanako amakuru.

- Ubajije uyu musozi Abakirisu ba kera bo muri iyi Paruwase, bakubwira ko aha turi hitwa i « Lourdes », bafatiye kw'Isenga ry'ibuye riri kuri uyu musozi risusa n'isenga riri i Lourdes mu gihugu c'Ubufaransa aho Bikira Mariye yabonekeye umweranda Berenadeta.

- Ubajije abo mu yindi mihingo y'igihugu na bo, bamwe bakwishura ko Mugera ari ikibanza Abakatorika b'i Burundi no mu bihugu duhana imbibe bahuriramwo mu rugendo rweranda, abandi bati ni Kwa Bikira Mariya.
  Ariko ntibigera bibuka ko, iki kibanza cashinzwe mu 1961, umuganwa Rudoviko Rwagasore yazananye na Leta yiwe hamwe n'abungere Katorika b'i Burundi n'Abarundi isinzi baje kuhashikiririza Imana igihugu c'Uburundi babicishije mu minwe y'umuvyeyi Bikira Mariya.

  Aha hafise amateka adasanzwe.

6. Ni ho Abamisiyonari b'Abazungu bashinze Imisiyoni ya kabiri mu Burundi mu 1899.

Mu 1922, Musenyeri Yuriyano Gorju ni ho yashinze intebe ya mbere y'Umwepiskopi mu Burundi. Irya sengero mubona, niyo Katedrale yambere mu Burundi, Mugera ni ho haciye haba iyogi nyaryo ry'Ubukirisu mu Burundi.

Mugera kandi, ni ho hubatswe Iseminari ya mbere mu Burundi ari ryo shure ryisumbuye rya mbere ryubatswe mu 1926, ikaba yaramuriye incabwenge nyinshi igihugu cacu.

7. Kiretse rero abahinga mu vya Kera no muri Kahise k'Uburundi, Abarundi benshi bazi Umusozi wa Mugera nk'Umusozi Ekereziya Katorika yagerereyeko, igashingako imizi, mbere ikanahakorera

imigambi y'iterambere myinshi kandi y'ingirakamaro. Muri iki gihe turiko turazirikana ivy'igihugu cacu, birakwiye ko Abarundi twese tumenya koko amateka y'uno musozi wa Mugera.

8. Aha turi ni "**Mu Mana za Mugera**". Ni ryo zina hamanye kuva kera na rindi. Abamisiyonari ntibahahisemwo rero ku gihamana. Bari batohoje neza basanga ari ho hari intimatima y'Umutima w'Uburundi.

Murabaze neza mumenye kandi mutegere. Aho Umugambi wo gushinga Misiyoni mu Rumonge wankiye mu 1871, Abapatiri Bera baciye binjirana i Misugi mu Cendajuru, itariki 16 Mukakaro 1896, baca bashinga Imisiyoni ya mbere Katolika y'Uburundi i Muyaga mu 1898.

9. Aho bashikiye mu Mana za Mugera, Umwami Mwezi Gisabo yaciye ashangashirwa, aca atangura kubagwanya yivuye inyuma, nkako hari

ku musozi w'amavukiro yiwe hakaba mu Cibare ciwe. Abakera batubwira ko muri ico gihe yahavuye agisha inama Umupfumu-Muhanuzi, na we amwishura ati : **"Bareke! *Ni baba atari ab'Imana, Imana yo nyene izobirukana*".**

10. Yarabaretse barashinga Misiyoni, mbere bimucamwo, ntiyanamenya ko bafitaniye ubucuti n'Abadagi bariko baramugwanya. Abamisiyonari n'Abadagi bahava barafatana mu nda bidasanzwe, ni na ho havuye iciyumviro co gushinga umugwa mukuru w'Uburundi i Gitega.

Nkako, binaniranye ko Abadagi bafata Mwezi Gisabo ngo bamwice, Abamisiyonari b'i Mugera ni bo bakoresheje ubwizigirwa bafise ku bantu no kumwami, batuma Abaganwa bo mu nda y'Ingoma

n'Abishikira guhanura Umwami ngo agiranire ibiganiro n'Abadagi kandi yiyoroshe.

Ni ho Mwezi yahava ahatirwa kwemera Amasezerano y'i Kiganda mu 1903, atanga mbere n'ihadabu y'inka 424; ategekwa no guheba Umuganuro n'Ukubandwa. Ivyakurikiye mu bukoroni murabizi.

Bubahwa mwese mwaje kuri uyu musi mukuru uhambaye,

Barundi benewacu,

11. Nk'uko duhejeje kubizirikana rero, imbere y'umuzo w'Abamisiyonari, Mugera wamye ari Umusozi w'Imana, icibare c'Imana mu Burundi. Abarundi bose, kuva kuri Sebarundi gushika ku muto, ntibigeze bahadeha; bamye baduga kwambarizaho Imana Rudasumbwa kumwe abayuda baduga i Siyoni gutanga ibimazi uko umwaka utashe.

Erega ngaha ntibahaza kuri iri genekerezo gusa. Emwee! Bama baje! Mbere n'abasengera mu yandi mashengero, twama tubona baduga ngaha kwambaza Imana, kandi bagataha bagabanye. Iyo baba batagabana, baba bagaruka?

12. Aho Abamisiyonari bamariye kuhagerera na ho, ni uyu musozi nyene baje bagana. Kikaba ari ikimenyetso kitabesha ko, koko, ari umusozi w'Imana: Erega akuzuye ntikamurikwa. Baje basanga tuzi Imana Rudasumbwa, yaremye vyose; nabo baza bongereza ukwemera kwacu mu kutwigisha Yezu Kristu yaje kubana natwe ngaha kw'isi, uca ucika Umusozi w'Umwami w'Abami.

13. Mugera yaciye iba iyogi abemeye kwihebera Yezu Kristu, ngo base nawe mu busaserdoti bamereramwo, kiretse abo vyankiye nka jewe nahagarukiye nahabonye.

Ariko ntaco bitwaye kuko ni beshi Imana yahacishije kugira baronke ubumenyi bukwiye bwo kurongora ubusho bwayo mu Burundi, mu bijanye no guteza imbere ubuzima n'umubiri.

Gutyo ubutumwa bw'Imana buba ubutumwa bwuzuye kuko umuntu nya muntu, nkuko tubitegera, ni uwukomeye ku mutima mu magara no ku mubiri. Ni co gituma abihebeye Imana n'abakuru b'intara ari babiri buzuzanya mu butumwa bw'Imana ngaha kw'isi.

Banyakwubahwa mwese,

14. Uyu musi ntusanzwe kuko abagize Reta y'Uburundi twaziye rimwe twese. Twaziye rimwe kuko uyu musi twabonye bikwiye ko twibuka aho Rwagasore yaza aserukira Reta y'Uburundi, bagahitanana na Ekereziya yose baje guhereza Uburundi Imana baciye mu minwe ya Bikira Mariya, Umuvyeyi w'Imana.

Aho hari kw'igenekerezo nk'iri mu 1961. N'intebe Rwagasore yicayemwo ndayibona kuko baciye bahashira ikimenyetso kitazimangana. Umurinzi, abandi bita Umugumya.

Twaje rero kuko twisuzumye, tukigaya. Twaje ngo twirege n'imbere y'Imana kuko, aho tuviriye ngaha mu 1961, twaribagiye Imana turamenja mu kuyihemukira, turasambura igihugu cacu na bwa bumwe wewe Mana waturemeyemwo.

15. None twaje kukubwira wewe Mana, Dawe wa twese ko twagarukanye agatima mpembero ngo uturabe ryiza. Twaje kuri iyu musozi wawe, kugira tukubwire ko twisubiyeko, tukemera ko ari wewe ufise ikibanza ca mbere mu Burundi.

16. None Umwami Yoziyasi wewe siko yabigenjeje, agasubira kwunga isezerano n'Imana! Dusomye mu gitabo ca kabiri c'abami 23: 1-3: *Ngo umwami Yoziyasi yaduze mu Ngoro y'Umukama ari kumwe n'abagabo bose bo mu Buyuda n'ababa i Yeruzalemu bose, abaherezankuka, abahanuzi n'abantu bose, kuva ku muto gushika ku mukuru. Araheza asoma bose bumva amajambo yose yo mugitabu c'isezerano cari catowe mu ngoro y'Umukama.*

Ngo umwami ahagarara ku kigwa, (nk'aha mpagaze) *agira isezerano ari imbere y'Umukama ko azokurikira umukama. Akazigama n'umutima wiwe wose n'umushaha wiwe wose amategeko yiwe, amabwirizwa yiwe n'amateka yiwe kugira ngo amajambo y'iryo sezerano yanditse muri iki gitabu aranguke.*

17. Natwe rero ni ico catuzanye. Ni ico catuduganye kuri uyu musozi, inyuma y'igihe kinini cari giheze ata mukuru w'igihugu c'Uburundi ahaduze kuhasengera. Ivyo twemeje mw'Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi, uno musi birarangutse.

Kubera ukwemera kwacu, turizigiye ko Imana igiye gushungururira imihezagiro ku Burundi nk'uko yabitwemereye kandi yabikoze kuva kera na rindi, ikituremera Uburundi.

18. Ni co gituma dusavye kandi umuvyeyi Bikira Mariya ngo asubire adukandire kumwe yabikora i Kana mu Bugalile aho yabwira umuhungu wiwe ari we Mana ati: **" Nta muvinyu bagifise"**.

Natwe, muvyeyi Mariya tuvugire kwa Yezu uti: " Barakenye, birakwiye ko bava mu bukene, baronke ico biha n'ico baha abandi". Kandi turazi ko Yezu akwumvira, turiteguriye no gukora ico azodutuma cose.

Banyakwubahwa mwese,

Nagomba guheraheza ndababarira namwe ibi bikurikira:

19. Ubwambere, Twese turazi kandi turemera ko ivyo Imana iduha atari ivyĭsēsa. N'i Kana mu Bugalile baravomvye nyene, bararuha, baruzuza impange nini nini. Ntiduhave rero tuvuga ngo ko dusavye twizeye, ngo "ingo twiyicarire ivyo dukenye birîsēsa".

Dukomeze ukwemera kwacu mu bikorwa nyabuna. Erega no mu Kirundi barayamaze bati: " Uwutarima ntamira" , kandi "Imana igira aho imaniye", "Imana ifasha uwifashije".

Tuve ngaha tuzi ko Bikira Mariya yamaze kudukandira, tuje mu bikorwa, turime, tworore kugira ngo Imana na yo ize guhezagira ibikorwa vyacu. Ntihagire uwuzokwidoga ngo ntaco yabonye ataco yahaye amaboko. None mwosuka umuvinyu uwuhe mutavomye?

20. Ubwa kabiri, ntitwasiguye akahise k'uyu musozi kugira ngo tuwuhabuze nk'itunga twarazwe n'abami b'i Burundi, kuko n'ubu aha ni i wacu; kandi hafise uburyohe burushirije ubwa mbere.

Uwu musozi Abamisiyonari bawubatseko nk'ikinja Imana yitoreye ngo kitubere ikibanza c'icibutso ko Imana ifise ikibanza c'imbere mu Burundi kw'izina rya Yezu Kristu.

Mbere ni iteka ridasanzwe kubona Yezu Kristu na Bikira Mariya bafise ikibanza ciza nk'iki mu gihugu cacu; biranaduhimbara kuko turazi ko bahatangira ingabirano zidaharurwa.

Ico twomenya ni uko ivyari bihasanzwe vyanywanye n'ivyahazanywe, maze biba kurya kw'Ubwuzure bwa kera na bushasha vyuzuzanya, biba Ubutungane n'Ukuri bihwanye bikagwana mu nda, biba koko amata avyaye amavuta!

21. Nazanywe rero no kwibutsa ko uyu musozi ari ikibanza gifise amateka ahambaye aranga igihugu cacu, ikibanza cagomwe n'Imana gushika naho inyenyeri ije kuranga Yezu Kristu mu Burundi ifata icicaro ngaha hakaba icicaro ca mbere c'abemera Imana baciye kuri Ekereziya Katorika.

Ni akaryo ko gusuzuma twese icigwa vyodusigira nk'abemera Imana b'Abavukaburundi. Na cane cane ko iki gihe twese twemeje ko Imana ari yo mugaba w'abaganza mu Burundi.

22. Duhiriwe duhishije, kuko ubu Mugera ntikiri aho abakatorika basengera gusa, nababwiye ko n'abo muyandi madini na bo basigaye baza kuhambariza Imana. Ni ikimenyetso kiriko kiragaragaza ko Imana imwe rudende, ari na yo itwungiye ubumwe yaganje mu Burundi.

Erega aho hambere hahise, mbere kuva ku mwami, Ukwemera kw'Abakera ntikwashoboye kubana n'Ukwemera kw'Aba-Kirisu, nk'uko umengo Umwami Yezu yari aje kwirukana Umwami w'Uburundi n'Ukwemera kwiwe.

23. Mugera rero ni ikimenyetso kidasanzwe c'ubumwe n'umwumvikano hagati y'ingingo zigize Uburundi. Izo ngingo na zo si izindi, ni ubutegetsi bw'igihugu, abenegihugu n'amashirahamwe ahurikiyemwo abenegihugu y'aba ayihaye ibikorwa vy'abenegihugu canke ay'abamenyeshamana.

Birahimbaye kubona Ekereziya Katolika ari yo yagiye imbere, kanatsinda yoyo yategereye kare akamaro k'ubutegetsi nkuko tubisoma mu nyigisho yayo yerekeye Imibano, kuko yemera ko « Mu ntwaro ya demokarasi, abakuru mu vya poritike ari bo babazwa vyose imbere y'abenegihugu » (Doctrine Sociale de l'Eglise, N°408).

Kukaba nkako, ku nomero y'168, iyo nyigisho nyene iratomora neza ko twebwe abakuru mu vya poritike, tubereyeho gutunganya no kwubahiriza ***Ineza ya bose ;*** nanje nkongerako nti : « tutaravye idini umuntu asengeramwo, ubutunzi afise, ubwoko bwiwe, igihagararo ciwe, intara aturukamwo n'ubugenzi dufitaniye ».

Si ivyo gusa, turazi ko no mu mategeko agenga ekereziya (Droit Canon) hategekenya mu ngingo yayo ya 364 agace ka gatandatu ko « Ekleziya katolika itegerezwa gukomeza imigenderanire myiza n'ayandi mashengero idasize inyuma mbere n'amadini atari ay'abakristu.

None twebwe i Burundi twarahiriwe na Mugera yaratubereye umuhuza mwiza. Koko ni ah'Imana.

Twebwe turemera ko muri ico gikorwa co gukorera ineza ya bose, Reta ari yo nsa ihagarariye umubano mwiza hagati y'amashirahamwe yose n'ay'abamenyeshamana arimwo, ubumwe muri yo ndetse n'itunganywa ryayo nkuko na Ekereziya Katolika ivyemera mu nyigisho yayo yerekeye Imibano agace kayo k'168.

Muri ubwo bumwe, cane cane ubumwe bw'abemera Imana, Reta y'Uburundi irijandajandira kuko impanuro ya Paul Mweranda yarabihejeje ; we yavuze ati : « Ndabasavye, benewacu, kw'izina ry'Umukama wacu Yezu kristu, mube mwese imvugarimwe kandi ntihagire amacakubiri aba muri mwebwe, ariko muhuze umutima n'inama nk'uko bibereye » (Tubisanga mw'ibaruwa ryambere Paulo mweranda yandikiye abanyakorenti, 1 :10).

Shengero ry'Imana mwahuriye hano,

24. Kuduga i Mugera ni akigoro kadasanzwe. Binyibutsa urugendo Abayuda bagira baduga i Yeruzaremu. Binyibutsa kandi urugendo Yezu yakunda kugira rwo kuduga ku musozi gusengera ahihereye kugira aganire na Se atankomanzi.

Ndibuka, Igihe Yezu yaduga ku musozi wa Thabor akihindura imbere y'Abatumwa, Petero yaciye ashikiriza Yezu ijambo ati: Birakwiye ko twibera hano. Ariko Yezu ntiyashimye ko bahashinga insago, ahubwo yaciye abasaba kumanuka kuraba benewabo no kubandanya bigisha mu bigwati.

25. Uwuduze ku musozi arabona ubuninahazwa bw'Imana, arabona kure. Ni co gituma ntumirira uwagize akigoro ko kuduga ku musozi w'Imana kugira akigoro ko kumanuka no kudugiriza ukwemera abasigaye mu kiyaya.

Ntimushinge urusago kuri uno musozi wa Mugera ngo mwibagire abasigaye inyuma, manuke nyabuna mu buzima busanzwe, mubere abandi Umusozi badugako bakabona kure, bakabona ubuninahazwa bw'Imana, ntihagire uwutaha imvumure, na kare ngo "**Agasozi kazamutse inka kamanuka umugeni**".

26. Ukwo kuba Umusozi abandi badugako bakabona kure, ndabisavye cane cane Inararibonye z'Abungere n'Abaherezankuka. Ngaha i Mugera ndahashitse hanyibutsa Misheri Kayoya. Inyuma ya Kayoya, Ntahokaja n'abandi bakeyi. Ubu abihebeye Imana barahevye kwandika ibitabu abakiri bato barahuramwo ubwenge n'ubumenyi.

Muraciye ubwenge cane Bungere n'Abaherezankuka, murafise ubumenyi bwinshi. Andike Ibitabu, cire imigani urwaruka, kuko na ba sokuru barayamaze bati: **"Uwudasize umwana, asiga umugani",** kandi ngo **"Uwutayaze na se ntamenya umugani wa sekuru"**.

Dusigire umugani bashahu, mutubere umusozi muremure tudugako tukabona kure, kandi mudusigire icanditse.

27. Twimuke tuve muri Tradition Orale tuje muri Tradition Écrite, abantu mubamenyereze gusoma ibitabu aho gusoma umusa, itabi canke amatama y'abantu.

Ekereziya irafise iyandikiro ry'ibitabu, harageze ko dusohora ibitabu vy'ubuhinga n'ubumenyi buhindura ibintu mu Burundi. Ubwenge nyabwenge, ni ubuhererekanijwe kandi mu gihe kirekire.

28. Imbere yo gusozera, nashaka ndabasabe tugerageze gutahura igihe turimwo. Kanatsinda, Umukama Yezu yaradukebuye ngo twame twihweza ibimenyetso vy'igihe tugezemwo.

Hari ikimenyetso citwa Korona virusi cabonetse mu Buseruko mu ntango z'uno mwaka, kirarandagata, gituma ibihugu vyo mu Burengero vyugara imbibe n'amarembo, haduka ukwinubana hagati y'abantu n'abandi, ntibasubira kuramukanya, abantu barahinduka baba satuntu twanje, abantu benshi baratikira ata gitabara, mbere n'Ingoro z'Imana zirugarwa.

Turashimiye Imana Yo yatwongoreye ingene tuvyifatamwo neza mu Burundi, tukabandanya dusenga, dukora imirimo yacu, twigisha abanyeshure, turema isoko, tumara imanza n'ibindi.

29. Twihweje ingene ahahora ubucuti hadutse ukwinubana kubera umuyaga wa Shetani, harageze ko Abakirisu b'i Burundi biga kwitunga, kandi ivyo tukavyumvikana na Reta, n'Imigambwe, n'ayandi madini twese tukunga ubundi bucuti budasanzwe bushingiye ku gukunda Imana no gukunda igihugu cacu.

30. Turashima cane ingene Reta yamye ikorana na Ekereziya Katorika mu bisata vyinshi vy'ubuzima bw'igihugu; ariko n'ubu ivyo gukora biracari vyinshi. Mbega Ekereziya Katorika yobuzwa n'iki gushinga IBANKI itanga ingurane kandi isaba inyungu itavuna kugira ngo ntiramurire mw'ibarabara?

Ducire inzira abari inyuma, tubatambutse mu kubereka inzira zishika, ata wigungiyeko impano yahawe na Rugira.

31. Icivugo cacu kiracari "**Turi kumwe twese birashoboka**". Ni mudufashe kugishigikiza ibikorwa ku neza y'abo tujejwe kumurikira, mu gusenyera ku mugozi umwe, mu gukeburana no mu kwunganirana muri vyose; na kare barayamaze bati: "**Umwegetsi w'inyakamwe yitako umwikomo hageze kwătira igitiba**".

32. Mu gusozera, munkundire ndababwire ico nzirikana kuri uyu Musi Mukuru. Kubona Bikira-Mariya yurizwa mw'ijuru umutima n'umubiri, si igihamana ni iteka rikomeye kuko Imana yamutoye kare kuba Nyina w'Umukama wacu.

Nca nibuka mu Nkuru Nziza ya Ruka, ikigabane ca mbere, umurongo wa 28. Urya mupfasoni yumvirije ingene Yezu avuga, ni we abishimangira kuko wewe yari yamwurije mw'ijuru kare, amaze kwumviriza ivyo umuhungu wiwe avuga. None reka duhimbaze uwo Muvyeyi kuko yatuvyariye umukiza, umuhanuzi w'agatangaza.

33. Murumva ko umukenyezi yubahirwa ijambo ry'abo yavyaye, akabarera, akabashikana mu bigero kandi bakaba intungane. Muri iki gihugu, hariho Abakenyezi benshi batanze imihoho, batakibabaye igikorwa co kurera, batakinezwe kazoza k'Abana n'ak'igihugu.

Ininahazwa ry'Umukenyezi w'Umurundikazi n'uko Abana yibarutse bakurana ubuntu bagashika mu bigero ari abahizi.

34. Bavyeyi,

Nimuze rero dufatire akarorero kuri uwo Muvyeyi twaje guhimbaza ngaha i Mugera. Arakwiye gufatirwako akarorero kuko ni we yatwugururiye ubuhirwe mu kuba inzira Yezu acamwo mukuza kutubwira iryo jambo ryanyuze urya mupfasoni Luka mweranda yatwiganiye.

Nico gituma ari ryo rya Yezu nsubiramwo muguheraheza nti: "Tuzoba duhiriwe nyabuna ni twumviriza Ijambo ry'Imana kandi tukarikurikiza".

Naryo ntarindi atari ngo: " Urakunda Umukama Imana yawe, urakunda mugenzawe nk'uko wikunda". Tuve ngaha rero dutahanye

urukundo rudatituka kugira ntituze dusubire mu vyara vya shetani, bimwe vyatugota kuva mu 1961 bigatuma dufutanya igihugu cacu.

35. Turangije dusaba Abarundi bose, abakirisu n'abatari abakirisu, kwubaha no gukunda iki Kibanza, bakigendere, bihatire kumenya amateka yaco kandi ntibahengeshanye kuhambariza Imana bari kumwe bose.

Nkako, "Ni ukuri ndabibabwiye kandi ko hano kw'isi, abantu babiri bashize hamwe bagasaba, ico basavye cose Dawe wo mw'ijuru azokibaha",

Ni Yezu Kristu umucunguzi wacu we nyene yavyivugiye.

Murakoze,

Imana ibahezagire!